REPUBLIQUE DU BURUNDI

**CABINET DU PRESIDENT**

**LOI N° 1/14 DU 05 JUILLET 2018 PORTANT CREATION D'UN CORPS DES VOLONTAIRES BURUNDAIS**

## LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n° 1/01 du 23 janvier 2017 portant Modification de la loi n° 1/011 du 23 juin 1999 portant Modification du Décret-loi n° 1/033 du 22 août 1990 portant Cadre Général de Coopération entre la République du Burundi et les Organisations Non Gouvernementales Etrangères (ONGE) ;

Vu la Loi n° 1/08 du 28 avril 2011 portant Organisation Générale de l'Administration Publique ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

**PROMULGUE :**

## CHAPITRE PREMIER : DES DISPOSITIONS GENERALES

### Article 1er

La présente loi a pour objet la création d'un Corps des Volontaires Burundais « CVB » et d'un Centre National du Volontariat du Burundi « CNVB » qui le gère.

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**IBWIRIZWA INOMERO 1/14 RYO KU WA 05 MUKAKARO 2018 RISHINGA URWEGO RW'ABAKORA IBIKORWA VY'UKWITANGA B'ABARUNDI**

## UMUKURU W'IGIHUGU,

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/01 ryo ku wa 23 Nzero 2017 rihindura Ibwirizwa inomero 1/011 ryo ku wa 23 Ruheshi 1999 rihindura Itegeko bwirizwa inomero 1/033 ryo ku wa 22 Myandangaro 1990 rishinga amategeko y'ugufashanya hagati ya Reta y'Uburundi n'amashirahamwe yo mu bindi bihugu ategamiye Reta (ONGE) ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 28 Ndamukiza 2011 ritunganya ivyerekeye intwaro muri rusangi ;

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**ATANGAJE :**

## IGICE CA MBERE : INGINGO NGENDERWAKO

### Ingingo ya mbere

Iri bwirizwa rifise intumbero y'ugushinga Urwego rw'abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'Abarundi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "CVB" n'Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga mu Burundi, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa "CNVB" akaba ari co kirutunganya.

L'organisation, les missions et le fonctinnement de ce Centre sont déterminés par décret.

Ingene ico Kigo gitunganywa, imirimo yaco n'ingene gikora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Article 2**

Au sens de la présente loi, on entend par :

1° **Corps des Volontaires Burundais « CVB »** : ensemble des personnes physiques liées par des actes d'engagement au volontariat ;

2° **Acte d'engagement** : document qui établit les relations entre le volontaire affecté à une structure d'accueil et le Centre National du Volontariat du Burundi « CNVB »;

3° **Structure d'accueil** : toute personne morale de droit public ou de droit privé basée au Burundi ou à l'étranger, poursuivant une mission d'intérêt général ou d'insertion professionnelle et qui reçoit l'appui de volontaires burundais ;

4° **Volontaire** : toute personne physique qui, remplissant les conditions de sélection fixées dans la présente loi, s'engage dans le cadre d'un acte d'engagement ;

5° **Volontariat** : activité non rémunérée, exercée librement, à temps plein, sur une période déterminée et de façon désintéressée, par une personne physique au profit d'une personne morale de droit public ou de droit privé poursuivant une mission d'intérêt général ou d'insertion professionnelle ou pour le développement social, économique et culturel d'une communauté de base ou d'une collectivité.

**Ingingo ya 2**

Muri iri bwirizwa, aya majambo asigura:

1° **Urwego rw'abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'Abarundi "CVB"** : ni umugwi w'abantu bagengwa n'inzandiko z'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga ;

2° **Urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga :** ni urwandiko rwerekana imigenderanire uwukora ibikorwa vy'ukwitanga arungitswe gukorera mu kigo cakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga agiriranira n'Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga mu Burundi "CNVB" ;

3° **Ikigo cakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga :** ni ishirahamwe ryose ryegamiye Reta canke ry'abakorera utwabo rifise icicaro mu Burundi canke mu kindi gihugu rikora ibikorwa vyerekeye ineza ya bose canke ibijanye n'ukwigisha imyuga abatari bafise ico bakora rigahabwa agacumu k'ubumwe n'abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi ;

4° **Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga :** ni umuntu wese, akwije ibisabwa bishingwa n'iri bwirizwa kugira yemererwe gukora ibikorwa vy'ukwitanga, yiyemeje gukora ibikorwa vyo kwitanga biciye mu rwandiko rw'amasezerano avyerekeye ;

5° **Igikorwa c'ukwitanga** : ni igikorwa ata gahembo gitangirwa, gikorwa ku gushaka, mu mwanya wose kidafadikanywa n'iyindi mirimo, mu kiringo gitomorwa, kigakorwa n'umuntu akorera ishirahamwe ryose ryegamiye Reta canke ry'abakorera utwabo rikora ibikorwa vyerekeye ineza ya bose canke ibijanye n'ukwigisha imyuga abatari bafise ico bakora canke rikora igikorwa c'uguteza imbere ibijanye n'imibano, ubutunzi n'imico kama vy'umugwi w'abanyagihugu canke urwego rw'intango.

## CHAPITRE II : DE L'INSTITUTION DES VOLONTAIRES BURUNDAIS

### Section 1 : De l'objet, des missions et du domaine d'intervention

**Article 3**

L'institution du volontariat burundais a pour objet de :

1° Permettre à la jeunesse de mettre son énergie au service du développement et de la consolidation de la paix ;

2° Promouvoir le volontariat burundais sous toutes ses formes, par la mobilisation des jeunes qualifiés, des jeunes descolarisés et non scolarisés ainsi que des adultes.

**Article 4**

La mobilisation des volontaires est faite pour des missions correspondant aux axes stratégiques de lutte contre la pauvreté et de consolidation de la paix.

Les domaines d'intervention prioritaires sont notamment :

1° Le soutien à la création d'emplois et au développement économique;

2° La protection de l'environnement axé particulièrement sur des missions de renforcement des capacités des communautés à la base ;

3° Le soutien à la consolidation d'un Etat de droit ;

4° Le soutien à l'alphabétisation, à l'enseignement et à la formation professionnelle.

## IGICE CA II: IVYEREKEYE URWEGO RW'ABAKORA IBIKORWA VY'UKWITANGA B'ABARUNDI

### Agace ka 1: Intumbero y'Urwego, imirimo yarwo n'ivyo rukora

**Ingingo ya 3**

Urwego rw'abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi rufise intumbero zikurikira :

1° Gutuma urwaruka rushira inguvu zarwo mu bikorwa vy'iterambere n'ugutsimbataza amahoro ;

2° Guteza imbere ibikorwa vy'ukwitanga bikorwa n'abarundi ivyo ari vyo vyose, mu guhimiriza urwaruka rufise impapuro z'umutsindo n'urwaruka rutabandanije amashure canke rutaciye ku ntebe y'ishure hamwe n'abakuze.

**Ingingo ya 4**

Abakora ibikorwa vy'ukwitanga bahamagarirwa gukora imirimo ijanye n'intumbero z'ukurwanya ubukene n'ugutsimbataza amahoro mu Burundi.

Ibikorwa Urwego rukora bishirwa imbere y'ibindi ni nk'ibi bikurikkira :

1° Ugushigikira imigambi y'ukugwiza ubuzi n'uguteza imbere ubutunzi ;

2° Ugukingira ibidukikije biciye cane cane mu bikorwa vy'ugukarihiriza ubwenge abanyagihugu bo ku mitumba ;

3° Ugushigikira ibikorwa vy'ugutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko ;

4° Ugushigikira umugambi w'ukwigisha abakuze gusoma no kwandika n'ukwigisha umyuga.

**Article 5**

Outre les actions spécifiques dans des domaines prioritaires, des actions parallèles et complémentaires sont organisées pour promouvoir le volontariat de tous les citoyens sous diverses formes, notamment le soutien à l'organisation des chantiers de travaux communautaires, des chantiers de travaux à haute intensité de main-d'œuvre ainsi que l'introduction des chantiers de travail volontaire dans le cadre de l'éducation civique dans les écoles post-fondamentales et les universités.

**Ingingo ya 5**

Kiretse ibikorwa bimaze gutomorwa mu bisata bishirwa imbere y'ibindi, hariho n'ibindi bikorwa bijanye kandi vyunganirana biringanizwa mu ntumbero yo guteza imbere ibikorwa vy'ukwitanga ku benegihugu bose mu buryo butandukanye, nko mu gushigikira itunganywa ry'imigambi y'ibikorwa rusangi, imigambi y'ibikorwa bitanga ubuzi ku bantu benshi hamwe n'ugutanguza imigambi y'ibikorwa vy'ukwitanga mu gutanga inyigisho z'ugukunda igihugu mu mashure akurikira ishure shingiro no muri za kaminuza.

## Section 2 : Du statut des volontaires burundais

## Agace ka 2: Amategeko ngenderwako agenga abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi

### Paragraphe 1: Des conditions de sélection des volontaires burundais

### Agahimba ka 1: Ibisabwa mu guhitamwo abemererwa gukora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi

**Article 6**

Peut être volontaire burundais, toute personne physique, quel que soit son niveau d'études, de formation ou de qualification, répondant aux critères ci-après :

1° Etre de nationalité burundaise ou résider depuis au moins deux ans sur le territoire national ;

2° Etre âgé de dix-huit ans au moins et de trente-cinq ans au plus, à la date de demande d'engagement ;

3° Présenter une attestation de bonne conduite, vie et mœurs valide datant de moins d'un mois, délivrée par le Gouverneur de sa province de résidence ;

4° Ne pas avoir été condamné, sauf pour infractions non intentionnelles, à une peine égale ou supérieure à six mois de servitude pénale sans sursis ou à une peine avec sursis égale ou supérieure à un an de servitude pénale ou à plusieurs peines, avec ou sans sursis, dont le total est égal ou supérieur à un an de servitude pénale;

**Ingingo ya 6**

Uwushobora gukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ni umuntu wese, hadafatiwe ku rugero rw'amashure yize, inyigisho yaronse canke urupapuro rw'umutsindo afise, akwije ibi bikurikira:

1° Kuba ari umurundi canke amaze n'imiburiburi imyaka ibiri aba mu Burundi ;

2° Kuba afise n'imiburiburi imyaka y'amavuka icumi n'umunani kandi atarenza imyaka mirongo itatu n'itanu, kw'igenekerezo asabiyeko kuja mu bikorwa vy'ukwitanga ;

3° Gushikiriza urupapuro rwemeza ko yigenza neza kandi afise imico myiza rutarata igihe kandi rutaramara ikiringo c'ukwezi kumwe, rutangwa na Buramatari w'intara abamwo ;

4° Kuba atarahanishwa, kiretse ku vyaha bitakozwe ibigirankana, igihano kingana canke kirenga amezi atandatu c'umunyororo gica gishirwa mu ngiro canke igihano kibangirwa gushirwa mu ngiro kingana canke kirenga umwaka umwe w'umunyororo canke ibihano vyinshi bibangirwa gushirwa mu ngiro canke bica bishirwa mu ngiro, ikiringo cavyo giteranijwe kikaba kingana canke kirenga umwaka umwe w'umunyororo ;

5° Ne pas avoir été révoqué d'un emploi public;

6° Etre reconnu apte par un médecin du Gouvernement relevant des structures publiques de soins de santé, à occuper un emploi public;

7° Accepter d'exercer le service de volontariat en tout lieu du territoire national ou international conformément aux dispositions de l'acte d'engagement.

**Article 7**

Une ordonnance ministérielle, au regard des spécificités exigées par la mission de volontariat, détermine d'autres critères en complément des critères prévus à l'article 6.

**Paragraphe 2 :**
**Des droits et des devoirs du volontaire burundais**

**Sous-paragraphe 1er :**
**Des droits du volontaire burundais**

**Article 8**

Le volontaire burundais perçoit au cours de l'exercice de sa mission une allocation forfaitaire mensuelle. L'allocation n'a pas le caractère d'un salaire ou d'une rémunération et n'est soumis ni à l'impôt, ni à un quelconque prélèvement social. Le montant est fixé à un niveau tel qu'il ne remette pas en cause le caractère désintéressé du volontariat.

Les modalités de versement de l'allocation forfaitaire sont fixées par décret portant création du Centre National du Volontariat du Burundi « CNVB ».

**Article 9**

Le volontaire burundais a droit à une formation aux valeurs civiques, au renforcement de ses compétences professionnelles et aux autres formations jugées nécessaires.

5° Kuba atigeze kwirukanwa mu kazi ka Reta ;

6° Kuba yemejwe n'umuganga akora mu bisata vya Reta bijejwe kubungabunga amagara y'abantu ko ashobora gukora akazi ka Reta ;

7° Kwemera gukora igikorwa c'ukwitanga aho ari ho hose mu Burundi canke mu bindi bihugu hisunzwe ibitegekanijwe mu rwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga.

**Ingingo ya 7**

Itegeko nshikiranganji, hisunzwe ivyo umurimo w'ugukora ibikorwa vy'ukwitanga usaba, riratomora ibindi bifatirwako vyunganira ibifatirwako bitegekanijwe mu ngingo ya 6.

**Agahimba ka 2:**
**Ivyo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afitiye uburenganzira n'ivyo ategerejwe**

**Agace k'agahimba ka mbere:**
**Ivyo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afitiye uburenganzira**

**Ingingo ya 8**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi araronka ku kwezi agashirukabute gashingwa icamaso mu gihe ariko ararangura umurimo wiwe. Ako gashirukabute ntigafatwa nk'umushahara canke nk'impembo kandi ntigatozwako ikori canke ngo gakurweko ayo ari yo yose ajanye n'ibikorwa vy'imibano. Urugero rw'ako gashirukabute rushingwa ku buryo ivyo bikorwa biguma biboneka ko ari ukwitanga.

Ibikurikizwa mu gutanga agashirukabute bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishinga Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga mu Burundi « CNVB ».

**Ingingo ya 9**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afise uburenganzira bw'uguhabwa inyigisho z'ugukunda igihugu, inyigisho z'ukwungura ubumenyi n'ubushobozi vyiwe mu bijanye n'umwuga hamwe n'izindi nyigisho zifatwa ko zikenewe .

**Article 10**

Le volontaire burundais a droit d'être évalué selon les pratiques de sa structure d'accueil.

**Article 11**

Le volontaire burundais a droit à une attestation de services rendus et une allocation de fin de volontariat à la fin de sa mission.

**Article 12**

Le volontaire burundais est affilié au régime d'assurance maladie-maternité des agents publics et aux assimilés.

Il lui est appliqué le régime de sécurité sociale en vigueur au sein de sa structure d'accueil.

Les cotisations à la sécurité sociale pour le volontaire national sont à la charge du Centre National de Volontariat du Burundi « CNVB ».

**Article 13**

Le volontaire burundais a droit aux congés dans les mêmes conditions que les travailleurs employés dans sa structure d'accueil.

**Article 14**

Le volontaire burundais est libre de ses opinions politiques, philosophiques et religieuses. Toutefois, l'expression desdites opinions doit se faire en dehors de l'exercice de la mission de volontariat et avec la réserve appropriée au regard de son statut de volontaire.

**Article 15**

Le volontaire burundais ayant accompli au moins douze mois de volontariat est dispensé de l'obligation d'accomplir le service national civique ou militaire.

**Article 16**

La structure d'accueil est civilement responsable des dommages causés à ses demandeurs de service par le volontaire burundais lors de l'exercice ou à l'occasion de l'exercice de sa mission.

**Ingingo ya 10**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afise uburenganzira bw'uguhabwa amanota mu vyo akora hisunzwe ingene ikigo camwakiriye gisanzwe gitanga amanota.

**Ingingo ya 11**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afise uburenganzira bw'ukuronka urwandiko rwerekana ibikorwa yaranguye n'agashirukabute gatangwa ibikorwa vy'ukwitanga birangiye.

**Ingingo ya 12**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi arategekanirizwa mu bijanye n'ukwivuza n'ukwibaruka nk'abakozi ba Reta n'abafatwa nk'abo.

Ategekanirizwa kazoza hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa n'ikigo akoreramwo.

Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga mu Burundi « CNVB » ni co kirihira uwukora ibikorwa vy'ukwitanga intererano zijanye n'ukumutegekaniriza kazoza.

**Ingingo ya 13**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi afise uburenganzira bw'ukuronswa uturuhuko nk'uko bigirwa ku bakozi bakorera mu kigo akoreramwo.

**Ingingo ya 14**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi arafise uburenganzira bw'uguserura ivyiyumviro vyiwe vya poritike, ivyiyumviro abantu bagenderako no mu vyerekeye amadini. Ariko, ivyo vyiyumviro bitegerezwa guserurwa atariko ararangura umurimo w'ukwitanga kandi akabivugana ukwigengesera kujanye n'ico akora.

**Ingingo ya 15**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi amaze kubirangura n'imiburiburi amezi icumi n'abiri ntaba agitegerejwe kurangura ibindi bikorwa bijanye n'ugukunda igihugu canke ibikorwa vy'igisirikare.

**Ingingo ya 16**

Ikigo cakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga ni co kibazwa indishi y'ivyo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi yononeye abacitura mu gihe ariko ararangura umurimo ajejwe canke biturutse kuri uwo murimo.

**Sous-paragraphe 2 :**
**Des devoirs du volontaire burundais**

**Agace k'agahimba ka 2:**
**Ivyo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerejwe**

**Article 17**
Le volontaire burundais est tenu d'exécuter personnellement et avec soin la mission pour laquelle l'acte d'engagement a été conclu.

**Ingingo ya 17:**
Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kurangura we nyene ubwiwe kandi neza umurimo yiyemeje mu rwandiko rw'amasezerano.

**Article 18**
Le volontaire burundais doit adhérer aux valeurs du volontariat, de la citoyenneté, de la solidarité et de la paix et doit œuvrer à les promouvoir parmi ses pairs et dans la communauté où il travaille.

**Ingingo ya 18**
Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kugendera akaranga k'abakora ibikorwa vy'ukwitanga, k'ubwenegihugu, k'ugufashanya n'ukugira ingendo y'amahoro kandi agategerezwa kubikundisha abo bakorana n'umugwi w'abanyagihugu akoreramwo.

**Article 19**
Le volontaire burundais doit s'abstenir d'exiger de la structure d'accueil ou d'autres personnes en rapport avec sa mission de volontariat, une contrepartie quelle qu'en soit la nature. Il ne peut avoir par lui-même ou par personne interposée, des actions ou des parts sociales dans la structure où il exerce la mission de volontariat.

**Ingingo ya 19**
Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kwirinda gusaba ikigo akoreramwo canke abandi bantu bafitaniye isano n'umurimo wiwe w'ukwitanga, impembo iyo ari yo yose ku bikorwa aba yaranguye bijanye n'ukwitanga. Ntashobora kuba afise we nyene ubwiwe canke biciye ku wundi muntu, imitahe canke imigabane y'imitahe mu kigo akoreramwo ibikorwa vy'ukwitanga.

**Article 20**
Le volontaire burundais est tenu de respecter les droits, les convictions et les opinions des bénéficiaires de sa mission. Il doit, en toutes circonstances, assurer la mission de volontariat en toute impartialité, neutralité et se garder de toute attitude discriminatoire.

**Ingingo ya 20**
Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kwubahiriza uburenganzira bw'abo ariko ararangurira ibikorwa vy'ukwitanga, ivyo bemera n'ivyiyumviro vyabo. Ategerezwa, mu bihe ivyo ari vyo vyose, kurangura ibikorwa vy'ukwitanga acisha aho ukuri kuri, ata na hamwe ahengamiye kandi akirinda n'inyifato yose y'ukuvangura.

**Article 21**
Le volontaire burundais doit participer aux actions de formation entreprises par la structure d'accueil pour améliorer la qualité des services.

**Ingingo ya 21**
Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa gukurikirana inyigisho zitunganywa n'ikigo akoreramwo kugira ibikorwa birangurwe neza gusumba.

**Article 22**
Pendant la durée de sa mission, le volontaire burundais ne peut exercer à temps plein aucune autre activité de quelque nature que ce soit.

**Ingingo ya 22**
Mu kiringo aranguramwo imirimo ashinzwe, uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ntashobora kugira ikindi gikorwa akora uko coba kimeze kwose mu mwanya wose w'akazi.

Lorsque l'exercice d'activités accessoires est de nature à compromettre l'exécution de la mission de volontariat, le volontaire doit demander au préalable une autorisation de la structure d'accueil.

Mu gihe ukurangura ibindi bikorwa vyoshobora kubangamira irangurwa ry'umurimo ajejwe, uwukora ibikorwa vy'ukwitanga ategerezwa kubanza kubisabira uruhusha ikigo akoreramwo.

**Article 23**

Le volontaire burundais est tenu de respecter les mesures d'organisation interne de la structure d'accueil notamment la discipline, les horaires de travail et les consignes d'hygiène et de sécurité.

**Ingingo ya 23**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kwubahiriza ingene ikigo akoreramwo gitunganijwe nko mu bijanye n'inyifato, amasaha y'akazi, ibisabwa bijanye n'isuku hamwe n'umutekano.

**Article 24**

Le volontaire burundais est astreint au secret professionnel pour les faits, les informations confidentielles ou documents dont il a eu connaissance dans l'exercice ou à l'occasion de l'exercice de sa mission.

**Ingingo ya 24**

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi ategerezwa kugumiza mw'ibanga ivyakozwe, inkuru zo mw'ibanga canke inzandiko yamenye mu gihe ariko ararangura umurimo ajejwe canke biturutse kuri uwo murimo.

**Article 25**

Le volontariat burundais est incompatible avec toute activité rémunérée publique ou privée, à l'exception de la production d'œuvres scientifiques, littéraires ou artistiques.

Les activités accessoires d'enseignement sont, sous réserve de l'accord de la structure d'accueil, incompatibles avec le volontariat burundais.

Le volontariat burundais est compatible avec la poursuite des études ou d'une formation professionnelle pour autant qu'elles n'entravent pas la bonne exécution de la mission du volontaire burundais.

**Ingingo ya 25**

Ibikorwa vy'ukwitanga birangurwa n'umurundi ntibibangikanywa n'igikorwa ico ari co cose ca Reta canke ic'abikorera utwabo gitangirwa impembo, kiretse ibikorwa vyerekeye ubushakashatsi, amayagwa canke utugenegene.

Ibindi bikorwa bijanye n'ukwigisha, kiretse bitangiwe uruhusha n'ikigo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga akoreramwo, ntibibangikanywa n'umurimo w'ukwitanga urangurwa n'umurundi.

Ibikorwa vy'ukwitanga birangurwa n'umurundi birabangikanywa n'ukubandanya amashure canke inyigisho zijanye n'umwuga mu gihe bitabera intambamyi irangurwa uko bibereye ry'umurimo w'uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi.

**Section 3 :**
**De l'acte d'engagement du volontaire burundais**

**Agace ka 3:**
**Urwandiko rw'amasezerano agirwa n'uwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi**

**Paragraphe 1er :**
**De la nature et de la durée de l'acte d'engagement**

**Agahimba ka mbere:**
**Uko urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga rufatwa n'ikiringo rumara**

**Article 26**

L'acte d'engagement n'est pas un contrat de travail, ni un contrat de prestation de services.

**Ingingo ya 26**

urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga si amasezerano y'akazi, canke amasezerano y'ukurangurira abandi ubuzi.

**Article 27**

L'acte d'engagement du volontaire burundais est signé pour une durée comprise entre six mois et douze mois et peut être renouvelé sans que sa durée totale n'excède trois ans. Toute personne physique ayant été volontaire burundais peut signer de nouveaux actes d'engagement tant que la durée cumulée de l'ensemble de ces actes n'excède pas trois ans.

Toutefois, nul ne peut continuer les activités de volontariat s'il atteint l'âge de 38 ans révolu.

**Ingingo ya 27**

Urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga birangurwa n'umurundi rushirwako umukono kugira rumare ikiringo kiri hagati y'amezi atandatu n'amezi icumi n'abiri kigashoborora kwongerezwa ariko cose hamwe ntikirenze imyaka itatu. Umuntu wese yigeze gukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi arashobora gushira umukono ku nzandiko nshasha z'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga ari uko ibiringo izo nzandiko zimara biteranije bitarenza imyaka itatu.

Ariko, nta n'umwe ashobora kubandanya akora ibikorwa vy'ukwitanga amaze gushikana imyaka 38 yuzuye.

## Paragraphe 2 : De la suspension de l'acte d'engagement

## Agahimba ka 2: Uguhagarika ivy'agateganyo urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga

**Article 28**

En cas de maladie ou d'accident entraînant une incapacité temporaire de travail, l'acte d'engagement est suspendu mais garde ses effets quant aux droits du volontaire.

Lorsque le volontaire est en état de prester à nouveau dans les trois mois, l'acte d'engagement reprend tous les effets avec une prorogation correspondant à la période de suspension.

**Ingingo ya 28**

Mu gihe uwukora ibikorwa vy'ukwitanga arwaye canke agize isanganya bigatuma adashobora kurangura mu gihe gito imirimo ajejwe, amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga aba arahagarikwa ivy'agateganyo, ariko aguma akurikizwa ku bijanye n'ivyo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga afitiye uburenganzira.

Igihe mu mezi atatu, uwukora ibikorwa vy'ukwitanga ashoboye gusubira ku bikorwa, urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga ruca rusubira gukurikizwa muri vyose, ikiringo carwo kikongerwako ikiringo kingana n'ico amasezerano yamaze ahagaritswe ivy'agateganyo.

## Paragraphe 3 : De la rupture de l'acte d'engagement

## Agahimba ka 3: Ihagarikwa ry'urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga

**Article 29**

L'acte d'engagement peut être rompu à l'initiative du volontaire burundais ou de la structure d'accueil sous réserve du respect d'un délai de préavis d'un mois. Toutefois, si la rupture a pour objet de permettre au volontaire burundais d'être immédiatement embauché, le délai de préavis est ramené à une semaine.

**Ingingo ya 29**

Urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga rurashobora guhagarikwa bivuye ku wukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi canke ku kigo akoreramwo ari uko hubahirijwe ikiringo c'uguteguza kingana n'ukwezi kumwe. Ariko, iyo uguhagarika urwo rwandiko bifise intumbero yo gutuma uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi aca aronka akazi ubwo nyene, ico kiringo c'uguteguza kiragabanywa gushika ku ndwi imwe.

**Article 30**

En cas de faute lourde commise par le volontaire burundais ou par la structure d'accueil et constatée par la Commission interne de conciliation mise en place par le Centre National du Volontariat, l'acte d'engagement peut être rompu sans l'observation du délai de préavis.

**Ingingo ya 30**

Mu gihe uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi akoze ikosa rihambaye canke rikozwe n'ikigo akoreramwo bikemezwa n'Umugwi w'ikigo akoreramwo ujejwe gutatura amatati ushirwaho n'Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga, urwandiko rw'amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga rurashobora guhagarikwa hatarinze kwubahirizwa ikiringo c'uguteguza.

**Article 31**

L'acte d'engagement prend fin par :

1° Accord des parties signataires ;

2° Cessation d'activités de la structure d'accueil ;

3° Décès du volontaire burundais ;

4° Incapacité du volontaire burundais de reprendre sa mission de volontariat à l'expiration d'une période de trois mois de maladie.

**Ingingo ya 31**

Amasezerano ajanye n'urwandiko rw'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga arangira igihe :

1° Abayashizeko umukono bavyumvikanye ;

2° Ikigo uwukora ibikorwa vy'ukwitanga akoreramwo gihagaritse ibikorwa ;

3° Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi apfuye;

4° Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi adashoboye gusubira kurangura umurimo w'ukwitanga haheze ikiringo c'amezi atatu arwaye.

**Article 32**

En cas de rupture de l'acte d'engagement suite au décès du volontaire burundais, les ayants droit bénéficient d'une contribution aux frais funéraires dont le montant et les modalités de paiement sont fixés par le Centre National du Volontariat.

**Ingingo ya 32**

Mu gihe amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga arangiye biturutse ku rupfu rw'uwukora ibikorwa vy'ukwitanga w'umurundi, abafise uburenganzira bw'ukumutorana barahabwa intererano y'amafaranga y'ukumuhambisha, igitigiri cayo n'ibikurikizwa mu kuyatanga bigashingwa n'Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga.

**Article 33**

L'allocation de fin de volontariat est due sauf en cas de faute lourde du volontaire.

Dans le cas de maladie ou d'accident entraînant une incapacité temporaire de travail, une allocation de fin de volontariat est versée en référence à la période où son acte d'engagement était valide.

**Ingingo ya 33**

Amafaranga atekererwa uwukora ibikorwa vy'ukwitanga arangije ikiringo c'imirimo ajejwe ategerezwa kuyaronswa, kiretse mu gihe yakoze ikosa rihambaye.

Mu gihe uwukora ibikorwa vy'ukwitanga atagishoboye kurangura umurimo ajejwe mu gihe gito biturutse ku ndwara canke kw'isanganya, amafaranga atekererwa arangije ikiringo c'imirimo atangwa hafatiwe ku kiringo amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga yari acemewe.

Le montant et les modalités de calcul sont fixés par le décret organisant le Centre National du Volontariat du Burundi « CNVB ».

Igitigiri c'ayo mafaranga n'ingene aharurwa bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu ritunganya Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga mu Burundi « CNVB ».

## Section 4: De la valorisation et de la promotion du volontariat burundais

## Agace ka 4: Ugutuma ibikorwa vy'ukwitanga birangurwa n'abarundi bigira agaciro n'ugutuma bihurumbirwa

### Paragraphe 1 : De la validation des acquis

### Agahimba ka 1: Ukwemeza ubumenyi uwukora ibikorwa vy'ukwitanga yaronse

**Article 34**

L'ensemble des compétences acquises et le temps effectivement passé dans l'exécution de l'acte d'engagement en rapport direct avec le contenu d'un diplôme, d'un titre à finalité professionnelle ou d'un certificat de qualification sont pris en compte au titre de la validation des acquis de l 'expérience.

A l'issue de la mission du volontaire, il lui est attribué un certificat de compétences synthétisant la somme de capacités acquises pendant la durée de son service. Le certificat est validé par le Ministre ayant la jeunesse dans ses attributions.

**Ingingo ya 34**

Ubumenyi bwose uwukora ibikorwa vy'ukwitanga yaronse hamwe n'umwanya wose yamaze ashira mu ngiro amasezerano y'ukwiyemeza gukora ibikorwa vy'ukwitanga bijanye n'ibiri ku rupapuro rw'umutsindo afise, ku rwandiko rwerekana umwuga yize canke iseredifika y'inyigisho yaronse birafatirwako mu kwemeza ubumenyi yaronse mu kurangura imirimo.

Uwukora ibikorwa vy'ukwitanga arangije ikiringo c'imirimo ajejwe, arahabwa iseredifika yerekana ubumenyi bwose yaronse mu gihe yamaze arangura ibikorwa vy'ukwitanga. Iyo seredifika yemezwa n'Umushikiranganji ajejwe urwaruka.

### Paragraphe 2 : De l'attribution des distinctions

### Agahimba ka 2: Itangwa ry'imidari y'iteka

**Article 35**

Des décorations nationales peuvent être décernées aux volontaires burundais qui se distinguent dans la réalisation de leurs prestations.

**Ingingo ya 35**

Imidari y'iteka yo ku rwego rw'igihugu irashobora guhabwa abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi barushije abandi mu kurangura imirimo y'ukwitanga.

### Paragraphe 3 : De la journée nationale du volontariat

### Agahimba ka 3: Umunsi wahariwe ibikorwa vy'ukwitanga mu gihugu

**Article 36**

Une journée nationale est dédiée chaque année au volontariat burundais.

Elle coïncide avec la journée internationale des volontaires.

**Ingingo ya 36**

Umunsi wahariwe ibikorwa vy'ukwitanga birangurwa n'abarundi urahimbazwa mu Burundi uko umwaka utashe.

Uwo munsi uhurirana n'umunsi mukuru mpuzamakungu wahariwe abakora ibikorwa vy'ukwitanga.

## CHAPITRE III : DES STRUCTURES D'ACCUEIL DES VOLONTAIRES BURUNDAIS

### Article 37

Les structures d'accueil ne sont pas autorisées à remplacer des salariés ou des prestataires de service munis d'un contrat en cours par des volontaires burundais.

### Article 38

Une structure d'accueil ne peut accueillir un volontaire lorsqu'elle a procédé à un licenciement économique dans les six mois précédant la date de prise d'effet de l'acte d'engagement, ou lorsque les missions confiées au volontaire ont été précédemment exercées par un salarié de la structure d'accueil licencié ou ayant démissionné dans les six mois précédant la date de prise d'effet de l'acte d'engagement.

La mission confiée à un volontaire ne correspond pas à un poste structurant pour l'organisation d'accueil. Elle vient compléter ou améliorer les activités de ladite structure.

### Article 39

Les structures d'accueil doivent, pour obtenir le concours des volontaires burundais, remplir des conditions minimales en termes de capacité à encadrer ces derniers et à les aider à acquérir et à améliorer leurs compétences professionnelles.

L'évaluation de cette capacité relève de la compétence des organes du Centre National du Volontariat en charge de l'affectation des volontaires burundais.

## IGICE CA III: IVYEREKEYE IBIGO VYAKIRA ABAKORA IBIKORWA VY'UKWITANGA B'ABARUNDI

### Ingingo ya 37

Ibigo vyakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga ntibirekuriwe gusubiriza abakozi baronka umushahara canke abarangurira ubuzi ivyo bigo bafise amasezerano y'akazi atararangira n'abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi.

### Ingingo ya 38

Ikigo cakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga ntigishobora kugiranira amasezerano n'uwukora ibikorwa vy'ukwitanga mu gihe, mu mezi atandatu y'imbere y'igenekerezo ayo masezerano yotangurirako gukurikizwa, canke mu gihe imirimo yoshingwa uwo akora ibikorwa vy'ukwitanga mushasha yahora irangurwa n'umukozi w'ico kigo yirukanywe canke yatanze imihoho mu mezi atandatu imbere y'igenekerezo amasezerano mashasha yotangurirako gukurikizwa.

Umurimo uhawe uwukora ibikorwa vy'ukwitanga si akazi gategekanijwe mu ndinganizo y'ikigo cakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga. Uza kwunganira canke gutuma ibikorwa vy'ico kigo bikorwa neza gusumba.

### Ingingo ya 39

Ibigo vyakira abakora ibikorwa vy'ukwitanga bitegerezwa, kugira vyakire abakora ibikorwa vy'ukwitanga b'abarundi, kuba bikwije ibisabwa n'imiburiburi mu vyerekeye ubushobozi bw'ukubakurikirana n'ukubafasha kuronka ubumenyi bujanye n'umwuga hamwe no gutuma bwongerekana.

Isuzumwa ry'ubwo bushobozi rigirwa n'inzego z'Ikigo c'igihugu kijejwe ibikorwa vy'ukwitanga zijejwe kurungika abakora ibikorwa vy'ukwitanga mu bigo bitandukanye baja gukoreramwo.

## CHAPITRE IV : DES DISPOSITIONS FINALES

### Article 40
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

### Article 41
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Bujumbura le 5 juillet 2018**

**Pierre NKURUNZIZA.-**

5.7.2018

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE, DE LA PROTECTION CIVIQUE ET GARDE DES SCEAUX,**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

**Aimée Laurentine KANYANA.-**

## IGICE CA IV: INGINGO ZISOZERA

### Ingingo ya 40
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

### Ingingo ya 41
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umunsi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 5 Mukakaro 2018**

**NKURUNZIZA Pierre.-**

5.7.2018

**KUBW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BITEWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE, UGUKINGIRA ITEKA N'ITEKANE VY'IGIHUGU, NO GUSHINGURA IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

REPUBLIQUE DU BURUNDI

**KANYANA Aimée Laurentine.-**